The Facts.

Igikorwa co Gusuzuma Uburwayi c'Abahinga mu Ntara (KIRUNDI)

Igikorwa Categuwe n'Ikigo c'Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ya Queensland.

Igikorwa co Gusuzuma Uburwayi ni iki?

Iki ni igikorwa c'ubuhinga bw'amagara yo mu mutwe categuwe n'Ikigo c'Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ya Queensland ku bantu bava mu bihugu bitavuga Icongereza.

Ico Gikorwa co Gusuzuma Uburwayi ni ca **gusa**.

Ninde ashobora gukoresha Igikorwa co Gusuzuma Uburwayi?

Ushobora kuvugana n'ico Kigo nimba hari akakubakiye ku magara yo mu mutwe yawe, umuntu wo mu muryango canke umugenzi.

Ni gute iki gikorwa gishobora kumfasha?

Ico Gikorwaco Gusuzuma Uburwayi kirashobora gutanga inkuru n'impanuro ku bibazo vy'amagara yo mu mutwe ufise, no kukwereka ibisata bishobora kugufasha.

Nimba imfashanyo yisumbuye yokenerwa, dushobora gutanga imfashanyo y'igihe gito yo kugufasha mu gusuzuma canke gukwirikirana igikorwa c'amagara yo mu mutwe, hamwe no gufasha umukozi w'amagara yo mu mutwe avuga ururimi rwawe n'imigenzo imwe.

Umukozi w'amagara yo mu mutwe ashobora kugufasha mu:

- kugusigurira ibibazo vy'imigenzo y'igikorwa c'amagara yo mu mutwe
- kugufasha kuronka umugambi wo kuvurwa no kwitabwoho
- guhura nawe kuganira ibibazo vy'amagara yo mu mutwe yawe mu rurimi rwawe.
- gusigura ibibazo vy'amagara yo mu mutwe vyawe ku bo mu muryango wawe
- kukuronsa imfashanyo y'igihe kigufi, nk'ugufasha canke kuguhanura, bijanye n'ingorane y'amagara yo mu mutwe.

Ni izihe zindi mfashanyo zotangwa?

Ico Kigo kandi gifise inkuru zanditse ku bijanye n'ingwara zo mu mutwe n'inkuru zijanye mu ndimi zikuru zikuru.

Urashobora kandi guterefona ico Kigo mu gihe ushaka kuganira kuri buri kibazo kijanye n'amagara yo mu mutwe yawe, nk'ibimenyetso, ukuvurwa, imiti, n'inkuru zijanye n'ibikorwa vy'amagara yo mu mutwe aho ubaye.

Ico gikorwa cokwizigirwa?

Ego, abakozi bacu b'amagara yo mu mutwe, nk'abandi bahinga b'amagara, barabwa cane n'amategeko y'ibanga kandi ntabwo bemerewe kuvuga ibibazo vyowe ku bandi bantu ata ruhusha rutomoye utanze.

Ni igiki nokwitega mu gihe ndonse gukorerwa n'Igikorwa c'Ugusuzuma Uburwayi

Ushobora kwitega kwubahirizwa, agateka no kwitaho ibanga ryawe, idini n'imico y'amamuko.

Uzosabwa kwandika icemezo imbere yuko umukozi y'amagara yo mu mutwe ava mu mico canke ururimi rwawe abajijwe.

Novugana gute n’abajejwe ibikorwa?

Ushobora guterefona (07) 3167 8333 nimba uri muri Brisbane canke 1800 188 189 mu gihe uba inyuma ya Brisbane, hanyuma usabe kuvugana n’Umukuru w’Ibikorwa vy’Amagara.

Amasaha y’ibiro vyacu ni Kuwambere gushika Kuwagatanu, 8.30am gushika 5.00pm.

Simvuga Icongereza. Ni gute noterefona ico gikorwa?

Ushobora guterefona umusiguzi kuri ibi biharuro 1314 50, saba umusiguzi hanyuma usabe bagushire ku murongo w’Ikigo c’Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ya Queensland kuri (07) 3167 8333.

Gutyo ikiganiro ca batatu gice gitangura.

Ni gute kandi novugana n’ico Kigo?

Ushobora kugendera ibiro vyacu kuri 519 Kessels Road, MacGregor.

Ushobora kutwandikira kuri PO Box 6623, Upper Mt Gravatt, Qld, 4122.

Ushobora kandi kutwandira na email kuri tccs@health.qld.gov.au.